REPUBULIKA Y'UBURUNDI

IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU

# IJAMBO RYA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU KU MUSI WO GUTANGURA UMWAKA MUSHASHA W'IBIHUMBI BIBIRI N'UMUNANI

Bujumbura, ku wa 01 Nzero 2008

# BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,

1. Turarangije Umwaka w'ibihumbi bibiri n'indwi (2007) uw'ibihumbi bibiri n'umunani (2008) uratanguye.

2. Turipfurije Abarundi bose n'ababa mu BURUNDI umwaka mushasha mwiza. Maze uzobabere umwaka w'amahoro n'imigisha myinshi mu ngo, mu miryango, mu mibano, mu kazi no mu yindi mirimo yose ya misi yose.

3. Turashimiye Imana Mushoboravyose yo yazigamye Abarundi, ikabashoboza gutangura kunagura ibikorwa vyari vyarahagaze no gusubiza igihugu mu nzira igana iterambere.

4. Uyu mwaka w'i 2008 tuwuhaye icivugo ngenderwako « **twijukire Ibikorwa twubake igihugu cacu** » uzotubere kandi twese umwaka wo gutekanirwa mu mitima, umwaka wo kwitanga no kuroranirwa kuruta uko vyagenze muri uyu mwaka urangiye.

5. Nkuko mwavyiboneye, umwaka w'ibihumbi bibiri n'indwi waranzwe ahanini n'impari z'urutavanako mu Nzego no mu migambwe, bituma irangurwa ry'imirimo rimera nkirigoyagoya akanya katari gato muri Leta no mu Nama Nshingamateka. Abakozi bamwe bamwe barahagaritse imirimo, ubukene buti natanzwe.

6. Ariko naho vyagenze uko, vyinshi mu migambi twari twategekanije kurangura twarabiranguye.

7. Ni ko hariho ivyatugoye, hakaba n'ivyo tutaronse ku rugero twavyipfuzako. Ivyo ni vyo tuja guherako mu vyo tuzorangura. Twashaka rero tubashikirize ibikuru bikuru Leta yashitseko mu bisata vyose vy'ubuzima bw'igihugu, dusozere tunabamenyesha imigambi yo kurangura mu mwaka w'ibihumbi bibiri n'umunani (2008).

### 1° Mu vyerekeye Politike n'ugutunganiriza abanyagihugu.

8. Uretse ibijanye n'imirimo ya misi yose nk'ugutegura n'ukwitaba Inama Nshikiranganji, ugutegura n'ugushikiriza amategeko canke amabwirizwa Inama Nshingamateka na Nkenguzamateka ngo ziyace irya n'ino imbere yo kuyemeza, ugutunganiriza abanyagihugu n'ugutatura amatati ngo abavukagihugu babandanye barābana ryiza, ibikorwa bitari bike vyararanguwe.

9. Abarongoye abandi, kuva ku Mukuru w'Igihugu n'Ivyegera vyiwe, ba Bulamatari, bose baragendeye abo bashinzwe, babasanga ku kivi, kugira ngo bamenye ibibagoye, babironderere umuti hamwe. Irindi hangiro kwari ukurarika abarimyi, abôrōzi, abakorera Leta n'abikorera utwabo ngo bavire hasi rimwe bashigikire umugambi wo gukomeza amahoro, kwijukira iterambere n'ugutabarana mu ngorane. Ka Mukuru w'Igihugu, twagendeye intara zose mbere twishikira mu makomine 102 uyu mwaka.

10. Leta yaragirishije inama ibihetangabo bitari bike abafise uruhara mu vya politike, iraganira na société civile, abamenyeshamakuru, abakozi b'Imana, abakozi ba Leta, ikabasaba ngo bazane intererano yabo mu guteza imbere igihugu, no mu kunywanisha abonse rimwe.

11. Umukuru w'igihugu yarabonanye kenshi n'abaserukira imigambwe, kugira ngo baje inama kuri ivyo vyose bipfuza guterera ngo igihugu kibandanye kirongowe mu nzira y'intwaro ibereye, na cane cane ukuntu imigambwe yokora yubahirije amategeko n'ineza y'igihugu. Mbere na Leta iriho ubu muribuka yuko yumvikanyweko mu biganiro twagiraniye n'imigambwe, twisunze Ibwirizwa Shingiro.

12. Mu vyerekeye umugambi w'amahoro, ntaco Leta itakoze ngo yumvikane n'Umuhari PALIPEHUTU/FNL ku kuntu amasezerano yo guhagarika intambara yoshirwa mu ngiro.

13. Naho abaserukira uwo muhari bahisemwo kwiyonjorora ata mvo ziboneka muri wa mugwi ujejwe gucungera ishirwa mu ngiro ry'ayo masezerano yo guhagarika intambara ubutagisubirinyuma (MCVS), twarateye akamo uwo muhari ngo ugaruke tubandanirize ikivi aho twari tukigejeje, kugira tugisozere tudatevye. Twiyemeje gushigikira ingingo zose zashikirijwe n'ishirahamwe mpuzamakungu, ONU, Ishirahamwe ry'ubumwe bw'Afrika, (Union Africaine, UA), akigoro k'akarere turimwo, (Initiative de la Région des Grands Lacs) n'abahuza ku kibazo ca PALIPEHUTU/FNL ku mugambi w'amahoro mu Burundi.

14. Dusavye uwo wese ashobora kubabarira bakamutega amatwi ngo adufashe, abumvishe yuko umugambi w'amahoro uraba Abarundi bose, Abapalipehutu/FNL nabo nyene batavuyemwo. Igihugu ni ica twese, dutegerezwa kukibamwo twese, atawukumiriwe.

# BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,

15. Ku bijanye n'intwaro ubwayo, harafashwe ingingo zishimishije. Inkuru nkuru ni nk'izi:
   - Ugushinga Leta hisunzwe Ibwirizwa Shingiro n'umwumvikano;
   - Gutanguza umugambi uhambaye wo kwegereza intwaro abanyagihugu n'ukubagisha inama mu vyerekeye iterambere ryabo; gusubizahamwe no gufatana mu nda.
   - Gushira mu ngiro igikorwa kizodushikana kuri « rusansuma » rw'abanyagihugu, (recensement général de la population et de l'habitat);
   - Ugutunganya inama za ba Bulamatari n'izabamusitanteri;
   - Ugusubiramwo itunganywa ry'imirimo ya Leta hakwirikijwe ukuntu ubushikiranganji bushasha butunganijwe; ico gikorwa kikaba kigiye guca mu nama nshikiranganji.

**2° Mu vyerekeye umutekano N'ugutsimbataza umugambi w'amahoro.**

16. Kuva Uburundi bwikukira, igihugu cacu cahuye n'ingorane nyinshi zerekeye umutekano n'ubwicanyi. Akenshi nta myaka itanu yarenga ata nkumbi ziguye gushika aho buja mu ntambara yamaze imyaka irenga icumi, abantu bagatikira. Aha rero, abantu Ibihumbi n'ibihumbagiza barishwe, abandi barahunga, ibintu biratikira, abatwitangiye imbere barabizi kudusumvya.

17. Ivyo ntawobigereranya n'ibiriho ubu. Intambwe tugezeko irashimishije, naho ubwicanyi n'ubundi bubisha biriho mu gisagra ca Bujumbuura na hamwe hamwe hagati mu gihugu.

Izo ni ingorane zíshikira kenshi ibihugu vyose biherutse mu ntambara nk'Uburundi, kandi turiko turabirwanya twivuye inyuma. Abanyomoza ko bicika bibagira vuba agahomerabunwa kiyo myaka nko mu 1965, 1972 , 1988, 1991, 1993 canke babigira nkana bafise ico bagamije, ari ciza ni vyiza ari kibi naho ni bateshwe bate.

18. Muri uru rwimo tuvuyemwo, Abarundi twese twarabonye aho turwaye. Harageze aho tuja hamwe twese, tugatorera umuti ibiduhanze. Umutekano si uwumwe, ni uwa twese abanyagihugu. Ko atari umwansi yaduteye aturutse hanze, ko tugeramiwe n'ibisuma bisahura bikica, twese dukwiye guhagurukira rimwe tukabituza ibindi tukabita muri yompi.

19. Dufashanye n'abajejwe umutekano (ni ukuvuga Abasirikare n'Abapolisi), dufashanye n'abategetsi ku nzego zose, eka n'abanyagihugu, duhige abo babisha, uwufashwe uwo ari we wese ashengezwe, acirwe urubanza, ahanwe.

20. Tuboneyeho akaryo ko gukeza inzego zijejwe umutekano ku gikorwa ciza zimaze imisi zirangura, tukabasaba kurushirizaho umwete n'ubwira ngo amahoro akwire hose, ntihagire uwuba akirara ku mugono abandi ngo abacane umutaru.

21. Mu mirimo ya misi yose :

- Abajejwe umutekano bose hamwe barabandanije kurangura umurimo wabo wo gukingira igihugu n'abakibamwo.

- Igikorwa co kwigishiriza hamwe inzego nshasha z'umutekano carabandanije; Ni muri iyo ntumbero hashinzwe amategeko mashasha atunganya inzengo z'igipolisi n'igisirikare, ivyigwa n'imyimenyerezo bibategurira kubandanya umwuga bigasubira kuba ukuri kwamye;

- Abajejwe umutekano (abapolisi n'abasirikare) barafashije uko bashoboye mu gikorwa co kwaka ibirwanisho abanyagihugu babitunze batabifitiye uruhusha.

- Abapolisi bararwanije bivuye inyuma inkozi z'ikibi, bongera baratesha badakebaguzwa abagomba gutera umudugararo n'akajagari mu banyagihugu. Barafashije mu gucungera uruja n'uruza rw'impunzi zivuye mu gihugu kibanyi ca Congo zashika ngaha ari nyinshi cane;

- Abasirikare bărafáshānije n'abo dusangiye ishirahamwe "Tripartite Plus", mu gukomeza umutekano ku mbibe z'igihugu, iryo Shirahamwe rikaba rigizwe n'ibihugu bine : Urwanda, Uburundi, Uganda, na Repubulika Iharanira Demokarasi ya Congo;

- Umugambi wo gusubiza mu buzima busanzwe bamwe mu bari mu nzego z'umutekano urabandanya. Haratanguye igikorwa co kubaharura (recensement), icegeranyo kizogirwa kikazotuma hafatwa ingingo zibereye;

- Intwaramiheto z'igihugu n'abapolisi barasabwe ngo baje gufasha mu gikorwa co kugarukana amahoro mu bihugu vya Côte d'Ivoire, muri Sudani, hakaba hari umurwi uheruka gushika muri Somaliya mu gikorwa nk'ico.

### 3° Mu vyerekeye imigenderanire N'ugufashanya mu karere

22. Umwitwarariko nyamukuru muri ico gisata wabaye uwo gusubiza izina ryiza igihugu cacu, mu gutosora imigenderanire twari dusanganywe n'amakungu.
23. Ugucungera ibikorwa vy'abaserukira Uburundi mu makungu vyarakomejwe kuruta uko vyahora. Twarabatumyeko tuja inama n'ingingo nabo.

24. Twaragiye mu bihugu ducuditse kugira ngo dukomeze ubucuti dusanganywe, twongere dushimangire imigambi yo gufashanya dufise.
    Aha twovuga nka Côte d'Ivoire, Moritaniya, Tanzaniya, Misiri, Guinée Equatoriale, Libiya, Ubwongereza, Ubufaransa, Pays-Bas, Portugal, n'ahandi ;

25. Bati iminwe iryoha inyuranye.

Twarakiriye mu gihugu cacu Umukuru w'igihugu ca Tanzaniya, turagenderwa n'Umukuru w'igihugu c'Ubuswise n'Umukuru w'igihugu ca Sudani.
Ishirahamwe Mpuzamkungu ONU ryararungitse aha i wacu abajejwe umugambi wo gukomeza amahoro, rirarungika icegera c'umunyamabanga mukuru ajejwe agateka ka zina muntu. Twarakiriye kandi n'umukuru w'ibanki y'isi yose.

26. Kugira ngo imigenderanire n'ibihugu bibanyi irushirize kuba myiza, inama zihuza Abashikiranganji b'ibihugu duhereranye zarakoraniye hano i wacu, bakaba baraciye irya n'ino ibibazo vya CEPGL, ibibazo vya CI/RGL, n'ibibazo vy'urubibe ruhuza Urwanda n'Uburundi;

27. Harabaye inama zihuza ibihugu bibiri bibiri (Commissions Mixtes) mu ntumbero yo gukomeza imigenderanire yavyo. Aha twovuga izaduhuje na Misiri, Ubushinwa, Libiya, n'Ubuganda ;

28. Abarongoye igihugu bitavye inama zikomeye: izihuza Abakuru b'Ibihugu n'amaleta, Ikoraniro rikuru rya bose muri ONU, Ikoraniro rihuza Afrika n'Ubufaransa, Ikoraniro rihuza ibihugu vya Bulaya n'ibihugu vya Afrika, irihuza Ubushinwa na Afrika n'ibindi.

### 4° Ivyerekeye ukumenyesha amakuru

29. Mu gushigikira Umwuga wo kumenyesha amakuru, atari mu majambo gusa, Leta yaragize utwigoro tuboneka :

- Amanama y'abarongoye abandi mu kumenyesha amakuru yaratunganijwe akatari gake.
- Inzu yitwa « La maison de la Presse » yareguriwe rwose abamenyeshamakuru ;
- Amadeni amaradiyo yari afitiye Ishirahamwe rya Leta rijejwe kugenzura imirongo imboneshakure n'amaradiyo bikorerako (ARCT) yarahebwe;
- Turiko turihweza ishingwa ry'ikigega co gushigikira Ukumenyesha amakuru (Fonds de Promotion des Médias ).

30. Leta irazi neza yuko ukumenyesha amakuru y'imvaho ari inzira nziza yo guteza imbere intwaro ibereye n'ugutsimbataza amahoro n'agateka ka zina muntu. Ni ku bw'izo mvo yitayeho ibi bikwirikira :

   a. Gukwiragiza mu ntara zo hagati mu gihugu ikoreshwa ry'ubuhinga bwa none bita «INTERNET» ;
   b. Kuringaniza inganda zo kwigisha abamenyesha makuru bashasha no kunagura ubwenge ku bari babisanzwemwo;

c. Gutunganya ibiganiro ku bamenyeshamakuru, aho abategetsi bishura ibibazo babajijwe bitarinze kukosorwa.

d. Umukuru w'igihugu ubwiwe yarishuye akatari gake ibibazo vy'abanyagihugu babajije baciye ku materefone, canke kuri bwa buhinga bwa none « Internet », aho umwe wese ashikiriza Umukuru w'igihugu akamudidaniye canke akamubabaje; akanashikiriza intererano yiwe mu vyiyumviro.

**5° Mu vyerekeye Agateka ka zina muntu**

31. Ku bihugu vyose bivuye mu ntambara, iki gisata ni co cama kigira ingorane kuruta ibindi. Kukaba nkako, abantu benshi baba barononekaye mu mitwe, bikagora gutandukanya abagira ikibi kuko barwaye be n'abavyoshwa n'ububisha bari basanganywe.

32. Abenshi mubihaye gutoteza abanyagihugu n'ukubasinzikariza ubuzima barashengejwe mu ma Sentare.

**6°Mu vyerekeye ubutungane N'ugusubiza hamwe kw'Abarundi**

33. Imirimo ya misi yose yo kwumviriza ababurana n'ukubarangira iyo bungururiza vyarakozwe ukuri kwamye, mu manza zaciwe izitarinke zirakwirikizwa. Harihwejwe ibibazo vy'abashaka gushumbushwa, abasaba ubwene gihugu, benshi baraburonswa.

34. Mu mugambi wo gukomeza amahoro, abacamanza bo muri Sentare nkuru y'igihugu n'amaparke mu ntara za Karusi, Bururi na Mwaro baragiye guca imanza z'ivyaha i Gitega, Rumonge na Muramvya, kugira bagabanye igitigiri c'abari mu mamabohero carenze na kure ivyari vyarategekanirijwe ayo mabohero.

35. Hakwirikijwe itegeko ry'Umukuru w'Igihugu n° 100/360 ryo ku wa 22 kigarama 2006 ryashinga kugirira ikigongwe abanyororo bamaze gukatigwa kandi bakaba bakwije ibisabwa n'amategeko, abanyororo ibihumbi bibiri na cumi na batanu bararekuwe (2015), abandi amajana atatu na mirongo itanu (350) baragabanirizwa imisi yo gupfungwa.

36. Hari abanyororo ijana na cumi na batatu (113) basavye kurekurwa kubera yuko bakitswe n'amagara canke barwaye indwara zidakira, abaganga ubu bakaba barashikirije "raporo" isabwa. Ivyabo banyororo biri mukuva mu nzira.

37. Harategekanijwe Sentare zidasanzwe zo guhasha abarya ibiturire n'abasahura itunga rya Leta.

**Ku bijanye n'ukunywanisha Abarundi**

38. Igikomeye muri ico gisata ni ukuntu hazoshingwa wa mugwi wo kurondera ukuri n'ugusubuza hamwe mu Barundi. Umurwi wo gutegura ibiganiro vyodushikana kuri iyo semo waragenywe. Ubu ukaba uriko uritunganya. Ugizwe n'abaserukira Leta, abaserukira "société civile", n'abaserukira ONU

39. Turizeye yuko ata muntu numwe azoza ashigikira ivyiyumviro bishaka kudusubiza inyuma ku ntambwe twari tugezeko mu gusanura imitima.

## 7° Mu vyerekeye ugufatana mu mugongo no guharanira iterambere ridakumira

40. Uyu mwaka Uburundi bwarashikiwe n'ingorane zivuye kw'ijuru ritabaye ryiza. Ivyaranguwe nka vyose bikaba bishingiye ku kugarukira ku bababajwe n'inzara be n'abahungutse.

41. Inama zisanzwe zihuza Uburundi, Tanzaniya na HCR zarabandanije uko vyahora ngo bihwereze hamwe ikibazo c'impunzi z'Abarundi n'ukuntu zotahuka mw'iteka.

42. Leta, ifadikanije n'amashirahamwe bafashanya ari yo HCR, GTZ na PNUD, yarakiriye muri uyu mwaka gusa abahungutse ibihumbi mirongo ine (40 000) bavuye mu gihugu ca Tanzaniya kandi irabaronsa aho baba. Hari n'abandi ibihumbi icenda (9 000) batahutse birukanywe, nabo nyene bakaba barakiriwe.

43. Harubatswe ibigwati bine (4) vyakira abahungutse batagira iyo baja be n'abandi batagira amikoro. Aho ni Muyange (Bubanza), Nyarunazi (Muyinga), Mutambara (Bururi) na Buhonga (Bujumbura).

44. Dufashijwe na HCR, abarundi bahungutse bararonka ivyo kubatunga mu mezi atandatu ya mbere, mu kurindira yuko utwo barimye twera. Haratanzwe imfashanyo z'imfungurwa mu ntara nka zose z'igihugu, aho imiryango yakubiswe n'uruzuba canke imvura y'isegenya.

## 8° Ku bijanye n'ubutunzi

45. Uyu mwaka w'2007 turangije waranzwe n'inzara, n'ubukene bivuye kw'ihindagurika ry'ibihe. Ikindi catumye ubutunzi bugoyagoya, ni ingene igiciro c'igitoro caduze cane kw'isoko mpuzamakungu, ivyo bituma ibiciro vy'ibidandazwa vyose, biba ibiva hanze canke vyo hagati mu gihugu, biduga umurengera. Kubera yuko ibiciro vy'ibintu iyo biduze umunyagihugu ari we ahamerererwa nabi, Leta yarahevye amatagisi amwe amwe kugira ngo yorohereze abanyagihugu, n'ivyo nyene vyatumye amafranga yinjira mu kigega ca Leta agabanuka.

46. Mu kigega ca Leta amafranga yinjiye uku gukurikira :

Ayavuye hagati mu gihugu, mwaka w'i 2006, hinjiye imiliyaridi 232 muri uyu mwaka w'i 2007 turangije, hinjira imiriyaridi 246 n'imiroyoni 43. Ni ukuvuga ko hiyongereye imiriyaridi z'amafaranga y'amarundi 13 n'imiriyoni 18.

### Imfashanyo zavuye hanze.

47. Imfashanyo zisanzwe, n'izatanzwe kamutahe zose hamwe zingana n'imiliyardi amajana abiri na cumi n'icenda, n'imiliyoni mirongo umunani n'imwe z'amafranga y'amarundi (219, 81).

### 9°.Mu vyerekeye ugutegekanya imigambi izorangurwa.

48. Leta yarashizeho umugambi w'ukugwiza ubutunzi n'ukurwanya ubukene CSLP (Cadre Stratégique de Croissance et de Lutte Contre la Pauvreté). Mu ntumbero y'ukurondera amafaranga azokoreshwa kugira ngo uwo mugambi uzobe warangutse mu mwaka w'2010, bwabaye ubwa mbere Ibihugu hamwe n'Amashirahamwe Mpuzamakungu bifasha Uburundi vyitaba akamo twabateye, baremera guhurira i Bujumbura. Hari ku magenekerezo ya 24 na 25 Rusama 2007.

49. Kugira ngo uwo mugambi uranguke, amafaranga basanze akenewe baremeye kuyatanga. Ayo mafranga ategekanijwe gukora mu bisata bikurikira:

- Ukunagura Intwaro Ibereye n'Ugukomeza Umutekano;
- Ugushira imbere ukuduza ubutunzi n'ubutungane mw'iterambere;
- Uguteza imbere abanyagihugu;
- Ukugwanya ikiza Ruhonyanganda SIDA.

Leta yisunze ubwo buryo bwemewe mu mugambi wo kuduza ubutunzi n'ukurwanya ubukene kuva mu 2007 gushika 2010 (CSLP), iherutse gushinga uwundi mugambi wo guteza imbere ibisata vyose bituma ubutunzi n'iterambere biduga PIP (Programme d'Investissements Publics) guhera mu 2008 gushika mu 2010.

Mu bushikiranganji 26, butanu ni bwo buzotwara igice kinini:

- Uguteza imbere Amabarabara, Ibisagara n'Uburaro: ibice hafi 18 %
- Ubutare n'Amasoko Ntanganguvu: hafi 15 %
- Uburimyi n'Ubworozi: ibice hafi 14 %
- Indero n'Ubumenyi: ibice hafi 10%
- Amagara y'Abantu : ibice hafi 7 %

## 10°. Mu vyerekeye igisata c'ubudandaji n'amahinguriro

50. Leta yaragize uko ishobora kwose iragarukana mu Gihugu cacu ya Banki ya ZEP, kandi ishaka yuko abakozi b'iyo banki bokwimuka vuba na vuba bakaza gukorera mu Burundi.
51. Leta y'Uburundi, iri kumwe n'ibindi Bihugu vya Afrika y'Ubuseruko, yarashize igikumu ku masezerano mfatakibanza y'ubudandaji hagati y'ibihugu vya Afrika n'ibihugu vya Bulaya APE (Accord de Partenariat Economique). Ibiganiro kandi biracabandanya kugira barabire hamwe ingene ubwo budandaji bwogenda neza ata bihugu birenganije ibindi.

52. Mu budandaji bubera hagati mu gihugu, Leta yaragirishije inama z'uguhimiriza abagwizatunga b'Abarundi ngo bakorere nantaryo ku mugaragaro urudandazwa rwabo mu gukoresha impapuro z'urudandazwa.
    birinde batyo n'ingaruka mbi zo kurenga amategeko bimwe twita "fraude".

53. Leta kandi, ifashijwe n'umugambi PAGE (Programme d'Appui à la Gouvernance Economique", yaramenyekanishije itegeko ry'ingene abantu bumvikana iyo habaye ingorane canke iyo ishirahamwe ry'urudandazwa rihomvye "Loi sur le Concordat Judiciaire et la Loi sur la Faillite".

    Hari n'ayandi mategeko Leta iriko iranonosora, nk'itegeko ryerekeye uguhiganwa mu rudandazwa « Loi sur la Concurrence », itegeko rigenga ubudandaji « le Code du Commerce », n'ayandi mategeko agenga urudandazwa kugira ngo ubudandaji mu Burundi burangwe n'amategeko atomoye.

54. Biciye mu mugambi uri hagati ya Leta Zunze Ubumwe z'Amerika na Afrika « AGOA » (African Growth and Opportunity Act), Leta yarafashije ishirahamwe ry'Abanyamerika rigira urudandazwa rw'ikawa kuzana umutahe waryo ngo ririmishe ikawa y'akanovera rizodandaza muri Amerika.

55. Mu vyerekeye ugufashanya n'ibindi bihugu mu vy'ubudandaji, Leta y'Uburundi yaragiranye amasezerano y'ugufanya n'ukudandaza n'Ibihugu vy'Ubuganda, Ubushinwa, Guinée Equatoriale, Sudani ...

56. Mu vyerekeye amahinguriro, intambara twamazemwo imyaka myinshi yarasubije inyuma rwose ico gisata, yatumye amahinguriro menshi twari dufise yugara. Ni co gituma muri uyu mwaka, Leta izokora uko ishoboye kwose kugira ngo hanagurwe amahinguriro nka COTEBU, ONAPHA, VERRUNDI n'ayandi ndetse hagurwe n'ishirahamwe SOSUMO. Leta igiye gukomeza umugambi wo gushira mu minwe y'abikorerutwabo amashirahamwe yayo, canke igumanemwo imitahe igereranye.

## 11°. Mu vyerekeye uburimyi n'ubworozi

57. Uburimyi n'ubworozi, ni vyo mutima w'ubutunzi bw'Igihugu cacu. Ni co gituma Leta ibandanya iha akazi abafundi b'indimo, ikongera ikabakarihiriza ubwenge. Ubu abafundi b'indimo 1000 bari ku kazi, kandi barakarihirijwe ubwenge.

58. Ubuhinga bwo kuvomera imirima buriko buratezwa imbere, imashini amajana atatu na mirongo itanu (350) z'ukuvomera zikoreshwa amaboko zarabonetse hamwe n'ivyuma vy'ukuzikora ziramutse zipfuye.

59. Umugambi wogushira mu minwe y'abikorera utwabo urudandazwa rw'ikawa uriko uraja mu ngiro. Ariko uyu mwaka, umwimbu w'ikawa waragabanutse bidasanzwe. Wavuye kw'itoni ibihumbi mirongi itatu (30.000 T) uza kw'itoni ibihumbi bitanu gusa uyu mwaka (5.000 T). Ivyo birakwiye kuduha icigwa, bikatwigisha ingene twokora kugira umwimbu ntuzosubire kugabanuka.

Kuri ivyo, ingingo zimwe zimwe z'ukworohereza umurimyi zarafashwe kugirango aronke akarusho ugereranije no mu myaka iheze. Umurimyi agahembo kiwe kakazongana n'ibice 72 kw'ijana y'amahera azoba agurishije kw'isoko mpuzamakungu. Aha, n'uburyo bwo kudandaza ikawa bwarasubiwemwo ku neza y'umurimyi kubera y'uko ariwe yishorera ku masoko mpuzamakungu.

60. Amakoperative y'abarimyi ariko aravuka kugirango afashe kwongereza umwimbu n'ugukwirikirana neza igiterwa cabo.

61. Mu vyerekeye ubworozi, Leta yarakoze uko ishobora kwose kugirango igwize ibitungwa vyakijambere. Yatanze inka 3139, n'ingurube n'impene 35.500.

- Projet Bututsi, ifashijwe n'Ibanki y'Iterambere rya Afrika, ( BAD ),yaratanze inka z'ubwoko frizone 900, impene 8000 n'amasuguru 200.

- Mu ntara zikorerwamwo na wa mugambi « PRASAB » (Programme de Réhabilitation du Secteur Agricole et la Gestion durable des Terres), ababikeneye nka bose bararonse imbuto n'ibikoresho nkenerwa vyo kunagura uburimyi. Aho ni intara za Kirundo, Muyinga, Cibitoke, Mwaro, Muramvya, Bubanza, Rutana, Makamba , Bururi na Ngozi. PRASAB yaratanze kandi inka 1839, n'impene yakuye mu Buganda zingana n'34.400.

62. Ikigo c'ugutohoza ubuhinga mu vy'uburimyi "ISABU" carakoze uko gishoboye mu kugwiza imbuto nziza zirobanuye n'ukurwanya indwara z'ibiterwa nka "mosaïque" y'imyumbati na "virose" y'igitoke. Isabu iriko irakwiragiza igiterwa gishasha mu vy'uburimyi mu Burundi citwa « Macadamia » gishobora kuba ikindi giterwa njabukamazi kizana amafaranga y'agaciro.

63. Ikigo kijejwe ubuhinga bw'ugutegura, uguhingura n'ukubika imfungurwa "CNTA", caratororokanije ubuhinga butari buke bwo kubikora. Abantu ntibaze basubire kuvuga ngo umwimbu mwinshi w'ibijumbu ni ingorane, kuko umuntu arashobora kuvyumisha, akabibika kandi akabikoramwo imikate. Muri uyu mwaka, ubwo buhinga bazobwigisha abanyagihugu.

## 12°. Mu vyerekeye ibidukikije n'ugutunganya amatongo.

64. Mu gisata kiraba ibidukikije n'ugutunganya amatongo, Leta yarihatiye gukurikiranira hafi inonosorwa ry'itegeko ryubahiriza ibidukikije n'ivyigwa binonosora ivyerekeye ingaruka nziza canke mbi zivuye mw'ikoreshwa ry'ibidukikije.

65. Leta y'Uburundi yarihatiye kandi gushira mu ngiro amasezerano mpuzamakungu yerekeye kugwanya ubugaragwa, acungera ivy'ihindagurika ry'ibirere, n'ayubahiriza ibinyabuzima bidukikije.

66. Mu vyerekeye kubungabunga isi, amazi, amashamba n'impwemu, Leta yarateye imivyaro y'ibiti biterwa ku misozi, ibiterwa mu ndimo n'ibiti vy'ivyamwa, birenze gato imiliyoni mirongo ine n'umunani (48.000).

67. Leta yarongereje ibigo bijejwe kugenzura imvura n'imiyaga, itako irabishiramwo amamashini ajanye n'ubuhinga bwa none, kandi iratanga n'inyigisho ku bazozikoresha kugira bategekanye kandi babure ibihe batihenze.

68. Mu vyerekeye gutugunganya amatongo, Leta yaratanguye kubikora mu ntara za Bubanza na Kirundo zizofatirwako akarorero. Ivyigwa vyagizwe muri izo ntara vyaremejwe, n'izindi ntara zitegerezwa kugiririrwa ivyo vyigwa kandi biheze bishirwe mu ngiro.

69. Leta yarigishije abahinga mirongo itatu (30) baranonosora ivyo gutunganya indimo zo mu myonga n'imyaba. Ubwo buhinga bwatumye hatunganywa amahegitare igihumbi n'amajana atanu na mirongo icenda na zitatu (1593) mu myonga, hanasiburwa ayashika ku amajana ane ( 400).

70. Leta kandi yarihatiye gucungera n'ugukingira amashamba cimeza nko gufata umugambi wo kuzitira Parc yo ku Ruvubu hamwe n'ishamba cimeza ry'i Bururi.

71. Kugira ngo urwaruka rwa none rukure rukunda kandi rwubahiriza ibidukikije, Leta iheruka gushira mu rutonde rw'ivyigwa icigwa c'ugukundisha ibidukikije mu mashure matomato n'ayisumbuye.

## 13°. Mu vyerekeye guteza imbere amasoko ntanganguvu.

72. Ivyigwa bitari bike vyarakozwe:

- ivyerekeye ukwubaka urugomero rw'umuyagankuba kuri Rusumo Falls;
- ukurahuriranira umuyagankuba bimwe twita « interconnexion électrique » hagati y'ibihugu bitanu: Uburundi, Republika iharanira Demokarasi ya Congo, Urwanda, Ubuganda na Kenya.

73. Leta y'Uburundi iherutse gushira umukono ku masezerano n'ishirahamwe ryo mu Bushinwa kugira ngo ryubake urugomero rw'umuyagankuba rwo ku ruzi Mpanda rutanga umuyagankuba ungana na méga wate 20 ruzonavomera indimo zo mu kiyaya c'imbo. Ingomero zo ku Ruvyironza na Gikonge zarasanuwe, urw'Inyemanga na rwo ruri mu migambi y'ukwagurwa.
Ivyerekeye kurahuriranira umuyagankuba hagati y'ingomero « Interconnexion »; mu ntara z'uburaruko bw'igihugu, ico gikorwa kiriko kiraherahezwa.
74. Umuyagankuba uva ku mishwarara y'izuba uriko urakwiragizwa mu mavuriro mirongo itatu n'atanu (35), no mu ma collège y'amakomine.

**14°. Mu vyerekeye gukwiza amazi mu gihugu cose**

75. Mu vyerekeye ivyo gukwiragiza amazi meza mu gihugu cose, igikorwa c'uguharura amavomo yose yubatswe mu ntara icumi na zine (14) kiriko kirahera.
Igikorwa co guha amazi meza abanyagihugu bo mu Rumonge kiriko kirarangira.

**15°.Mu vyerekeye ubutare**

76. Mu vyerekeye ubutare, igikorwa c'ugukora ikarata yerekana ahari ubutare bwitwa « cassitérite, colombo-tantalite na Wolframite caraheze gukorwa, hakaba hatowe imigende mu ma komine ya Giteranyi, Bwambarangwe na Gitobe.

77.Leta kandi, iriko iriga amadosiye y'abasaba impusha z'ugucukura ubutare bwa nickel, inzahabu na uranium. Nk'akarorero, ni nickel iri mu ntara za Rutana na Cankuzo.

## 16°. Mu vyerekeye iterambere ry'Ibisagara n'Uburaro.

78. Ama "quartiers" mashasha yabandanije ategurwa (Viabilisation).

79. Inzuzi zigeramiye Igisagara ca Bujumbura nko mu Gatoke, Gikungu-Gihosha, inzuzi nka Muha na Kanyosha ziriko zirakorerwa imihora; n'ibiraro biriko birubakwa. Intara zo mu gihugu hagati ntizibagiwe, nka Karera ya kabiri (II) mu Ntara ya Gitega.

80. Ivyigwa vyo gutunganya ugupima n'ugusubiramwo ama "quartiers" mashasha na vyo nyene birabandanya.

## 17°. Mu vyerekeye amabarabara

81. Ibarabara RN4 (Bujumbura-Gatumba) ryaraheze gusubirwamwo, kandi ryarashizwemwo kaburimbi; ibikorwa vy'ugusubiramwo ibarabara RN5 (Bujumbura-Rumonge) vyasubiye kubandanya inyuma yaho ishirahamwe EMUGECO rinaniriwe uwo umugambi ; ibarabara RN12 (Gitega-Karusi-Muyinga) rigiye gutangura gukorwa vuba, nayo ibikorwa vy'ukwubaka RN14 (Kirundo-Gasenyi-Kigali) bigeze kure. Ibikorwa vyo gusubiramwo amabarabara y'i Bujumbura vyaratanguye muri Komine Musaga hamwe n'ayandi mabarabara ategekanijwe kwubakwa guhera uyu mwaka.

82. Leta ifatanije n'ibihugu bibanyi vya Tanzaniya n'Urwanda biyemeje kurangura umugambi ukomeye w'ukwubaka ibarabara ry'indarayi riva ISAKA muri Tanzaniya rija i Kigali mu Rwanda n'iriva NYAGAHURA muri Tanzaniya rigaca i Cankuzo rigashika i Musongati, mu ntumbero yo kuzoshora ubutare n'ugutwara ibindandazwa bitagoranye.

## 18°. Ku vyerekeye gutwara abantu n'ibintu

83. Ishirahamwe Otraco, ubu rirashika ahatari hake mu mihingo yose y'igihugu, hamwe mu hashasha twovuga ni nka Tangara, Marangara, Gisuru, Mishiha, Kampala, Cyangugu, Kigali n'ahandi.

84. Ubu, indege zitari nke zarasubiriye gutwara ibintu n'abantu ziciye kukibuga c'indege ca Bujumbura, zigana ibihugu vyo muri Afrika ndetse n'ivya bulaya.

## 19°. Mu vyerekeye Indero n'Ubumenyi

85. Mu mashure mato mato n'ayisumbuye, Ubugenduzi Bukuru bw'inyigisho bwasanze abanyeshure bariyongereye nko ku rugero rungana n'ijana kw'ijana (100/100) uyu mwaka; umuntu aravye muri rusangi amasomero yose yo mu Burundi, asanga isomero ryose ririmwo abanyeshure mirongo umunani na bane (84).

86. Mu gisata c'ukwigisha imyuga, urwaruka rushika ibihumbi bitanu (5 000) rwararonse inyigisho. N'umugwi ujejwe ivyo kuringaniza no gukurikirana inyigisho z'imyuga mu ntara zose z'igihugu warashizweho.

87. Ubuyobozi buraba ivy'ukwubaka inyubakwa z'amashule (BPE), bubifashijwemwo n'ikigega gihuza Uburundi n'Ububiligi (Fonds Belgo-burundais de Réemploi), bwarakoze intebe z'abanyeshure, burubaka amasomero 7 burasanura n'ayandi.
Ubwo buyobozi bwarongeye kandi buranagura ikigo kijejwe kwandika n'ugukora ibitabo bikoreshwa mu mashule matomato n'ayisumbuye (RPP= Régie de Productions Pédagogiques). Ico kigo giheruka kandi kwagurwa kironka n'amamashini mashasha ateye imbere kugira ngo gishobore gukora ibitabo vyinshi.

88. Leta iciye mu gufashanya n'ayandi makungu, yarikoze kuri ya mafranga yavuye mu madeni Uburundi bumaze gutangura guheberwa, yubaka amasomero 738 hamwe n'uburaro bw'abarimu 141, vyari vyatanguwe kwubakwa mu mwaka w'2006. Muri uyu mwaka urangiye, hubatswe ibirase 363, n'uburaro bw'abarimu 77, bikaba bishitse ku ntambwe ishimishije.

89. Kuva mu ntango z' uyu mwaka w'2007 gushika mu kwezi kw'icenda, amakomine yifatanije n'abanyagihugu mu bikorwa vy'iterambere rusangi bubatse amasomero ibihumbi bibiri n'ijana (2100). Leta yaragize akigoro irabaronsa nka hose amabati yo kuyasakara n'ubu ikiriko.

Tuboneyeho akanya ko gushimira bimwe bivuye ku mutima abo bose bitanze bagaterera amabati n'ibindi bikoresho kugira ngo tugwize amashule.
Turashimiye kandi abanyagihugu biyungunganije bakiyubakira amashule mu bikorwa rusangi.

90. Amashirahamwe Leta ifisemwo umutahe yaterereye kugeza uno musi muri uwo mugambi wo gushigikira abo banyagihugu, ni aya akurikira:

- Mutuelle de la Fonction Publique: 5.000.000 BIF
- Interbank Burundi : 20.000.000 BIF
- BNDE : 2.000.000 BIF
- SBF : 2.000.000 BIF
- FPHU : 2.000.000 BIF
- SOSUMO : 10.000.000 BIF
- BERCO : 1.500.000 BIF
- BBCI : 2.000.000 BIF
- RSA : 2.000.000 BIF
- REGIDESO : 3.000.000 BIF

**Yose hamwe : 59.500.000 BIF**

**Amashirahamwe yatanze amabati**

| | |
|---|---|
| SOGERBU na OLD EAST | :1000 |
| SAVONOR | : 400 |
| GETRA | : 300 |
| BONAUTO | : 1.650 |
| U COM | : 5.000 |
| **Yose hamwe** | **: 8.350** |

Ishirahamwe rya **BRARUDI** naryo ryemeye guterera amabati ibihumbi bitanu"5000"

**Amashirahamwe yatanze imipfuko y'isima**

| | |
|---|---|
| ETS AL LADAK | : 50 |
| BONAUTO | : 300 |
| **Yose hamwe** | : 350 |

**Igihugu canke Abantu bafashije ku giti cabo**

**Ubushinwa** : amabati 16.000
imitarimbo n'imisumari vyuzuye contener 24.

| | |
|---|---|
| Rwankineza | : 3.000.000 BIF |
| Ndimurukundo Hilaire | : 500 (amabati) |

Turabashimiye twivuye inyuma tugasaba n'abandi kubafatirako akarorero.
Ntitwokwibagira kandi amashami y'ishirahamwe Mpuzamakungu ONU, nka PNUD, UNICEF, UNESCO, ikigega Fonds Fudiciaire, Coopération Technique Belge, abakozi b'Imana n'amashirahamwe ataho yegamiye mu vya politike, ku ruhara bagize mu gushigikira ukugwiza amashure mu gihugu.

91. Leta ifashijwe n'igihugu c'Ububiligi, hamwe n'ishirahamwe UNICEF yarahaye amashure intebe 41 000, iraha amakaye abanyeshure batishoboye, kandi irakarihiriza ubwenge abigisha.

92. Uyu mwaka kandi, Leta ifashijwe n'imfashanyo mvamakungu itangwa mw'iranguka ry'imigambi yihuta, yarashoboye gutegura inyigisho z'igiswahili, icongereza n'inyigisho z'ugukunda igihugu mu mwaka wa kabiri w'amashure y'intango.

93. Harateguwe umugambi wo guteza imbere igisata c'indero n'ugutohoza ubuhinga kandi uwo mugambi wareretswe abantu bo mu ntara zitandukanye kugira bawunganire.

94. Itegeko ry'Umukuru w'Igihugu rishiraho umugwi mpanuzwajambo mw'iterambere ry'inyigisho muri Kaminuza ryarashizweko umukono.

95. Leta ibifashijwemwo n'igihugu c'Ubushinwa, iriko irubakisha Ishule ry'inderabigisha ENS rikaba rigiye kuronka inyubakwa nshasha ziteye igomwe.

96. Mu guteza imbere inyigisho mu mashule kaminuza ya Leta n'ay' abikorera utwabo, Leta iraha ka gafashanyo (Bourse) abanyeshure ibihumbi cumi n'amajana atanu (10 500) kandi igaha n'imfashanyo abanyeshure biga mu makaminuza yo mu mahanga bashika 470. Leta kandi iherutse kwongereza iyo mfashanyo, iva ku mafaranga ibihumbi mirongo ibiri na bitanu ( 25.000frbu) ija ku mafaranga ibihumbi mirongo itatu na kimwe ( 31.000 frbu), ku biga mu Burundi, abiga hanze nabo, yarongerejwe, ishika ku madorare ijana ( 100 dollars), ku kwezi.

## 20°. Mu vyerekeye urwaruka, inkino, n'imico kama,

97. Leta yarigishije urwaruka ingene rushinga imigambi kandi rukayirangura. Yarorohereje kandi urwaruka ruraja mu mahiganwa yose yabereye mu mahanga rwari rwatumiwemwo.

98. Leta iboneyeho n'akaryo ko gukeza intamba Junior, yatahukanye igikombe mw'ihiganwa rya CECAFA Cadet.

99. Muri Uyu Mwaka uheze, haratunganijwe ihiganwa ry'umupira w'amaguru ryahuje imigwi y'amakomine yose.

100. Ibibuga n'inyubakwa ziberamwo inkino vyarasanuwe: aha twovuga nka stade Y'umuganwa Rudoviko Rwagasore yaronse amatara na tapis hamwe n'ikibuga c'umupira w'amaboko co kuri parquet caronkejwe amatara.

101. Muri kazoza, hazokwihatirwa ibi bikurikira: Kubandanya umugambi wo kwubaka stade olympique mu kanyosha, kunagura inyubakwa, ibibuga n'amastade vyononekaye.

## 21 °. Mu vyerekeye amagara y'abantu.

102. Ingingo ya Leta yerekeye abavyeyi bibarukira kwa muganga ku buntu, yatumye igitigiri c'abavyeyi bahitanwa n'imbanyi hamwe n'abana bapfa bariko baravuka kigabanuka, kuko abavyeyi bibarukira kwa muganga bavuye ku bice 22,4 % bashika ku bice 37 %.

Ingingo yo kuvura abana batarenza imyaka 5 ku buntu, yatumye igitigiri c'abana baja kwivuza kwa muganga congerekana ibice 30 %.

Kandi nta mwana canke umuvyeyi yibarutse agipfungirwa mu bitaro kanaka vya Leta ngo ni uko atarishe amafaranga y'ibitaro.

103. Mu vyerekeye gukinga indwara, Leta yaracandaze abantu gushika ku bice 85 %, kandi kugira ngo igitigiri c'ibice 90 % gitegerezwa kurenga nk'uko ishirahamwe OMS ribitegereza, Leta yihaye umugambi w'ugusubira gucandaga abo bose bageze.

104. Kubera umugambi wo guhimiriza gukoresha umusegetera urimwo umuti na cane cane ku bavyeyi bibungenze n'abana batarenza imyaka itanu, uyu mwaka Malariya ntiyigeze yiyerekana nk'ikiza c'icaduka.

Dufashijwe n'ibihugu n'amashirahamwe ducuditse, uyu mwaka harabonetse imiti ya malariya ishobora guhabwa abantu imiliyoni zitatu (3.000.000). Imfashanyo imiriyoni hafi mirongo ine n'umwe y'amadorare y'abanyamerika (41.000.000) ku migambi y'ukurwanya malariya, n'igituntu yarabonetse. Ayo mafaranga yakoreshejwe kuva muri uyo mwaka w'2007 akazoshika mu mwaka w' 2012.

105. N'umugambi w'ukurwanya igituntu n'imibembe ntiwasigaye inyuma: ku bantu ibihumbi bine n'amajana atandatu na mirongo itandatu n'icenda (4. 669) bapimwe igituntu, ibice mirongo umunani na bine kw'ijana (84%) barafashe imiti barakira. Leta yaragize akigoro ko kubandanya yigisha abantu kwirinda izo ndwara.

106. Uyu mwaka, Leta yaragize akigoro kanini mu kuringaniza neza no mu kurondera uburyo bwo kubungabunga bibereye amagara y'abantu. Iciye mu gufashanya n'Ibihugu vyunze Ubumwe vya Bulaya, Ububiligi, Ubuswisi, yaragize umugambi w'imyaka ibiri (2007-2009 ) w'ugufasha intara 11 kuri 17 ngo zibe akarere (districts) aho ubuvuzi n'ukwitaho amagara y'abantu bitezwa imbere kurusha. Kubera abaganga dufise ari bake, twarasavye kandi turaronka abaganga baza kuvura mu Burundi, bavuye mu bihugu ducuditse nka Cuba na Nigeriya.

### 21°. Mu vyerekeye igikorwa co kurwanya ca kiza ruhonyanganda SIDA,

107. Muri uwo mugambi, intambwe Leta imaze gushikako irashimishije. Ibigo vy'ukwipimishirizamwo SIDA vyarongerekanye, ubu dushitse ku bibanza ijana na mirongo itanu na bitatu (153); ibibanza vy'aho bahera abavyeyi imiti muri wa mugambi w'ugukingira abana bariko baravuka ngo ntibandure umugera wa SIDA, ni 34. Ibibanza 45 n'ivyo bitangirwamwo ya miti y'ugupfupfahaza.

Icababaje cane muri uyu mwaka, ni uko umugambi wokurwanya Sida, kuva uyu mwaka w'I 2008 tugiye gutangura, gushika umwaka w'2012 utemewe n'ikigega mpuzamakungu c'ukurwanya Sida, ku mvo zidatomoye. Ariko Leta iriko irabandanya gusigurira ico kigega ivyo batumvikanyeko bihave.

### 22°. Mu vyerekeye abakozi ba Leta

108. Igenekerezo rya mbere Rusama 2007, harafashwe ingingo y'ukwongera abakozi ba Leta ibice 34 % ku mushahara. Mu kwezi kwa Kigarama 2007, igenekerezo rya gatanu naho, Itegeko nshikiranganji ritomora ivyerekeye amafranga y'uburaro, uburyo bwo kwiyunguruza n'agafashanyo k'umuryango", mu gushira mu ngiro iyo ngingo, ryarashizweko umukono n'abashikiranganji babijejwe.

109. Kuva muri Nzero 2008, iryo tegeko nshikiranganji niho ritangura kuja mu ngiro. Ku kibazo c'uko iyongerwa ry'umushahara w'abakozi ba Leta ryategerezwa kuja mu ngiro kuva mu kwezi kwa Mukakaro 2007, ntitwacirengagije. Nkuko twabishikirije Abarundi bose turi mu Kirundo igenekerezo rya 15 Kigarama 2007, twashaka gusaba abakozi ba Leta bihangane gatoyi, ayo mafranga yo kuva mu kwezi kw'indwi gushika mu kw'icumi na kabiri 2007 bitebe bitebuke bazoyaronka.

110. Muri ico gisata nyene, Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Leta bwaregereje ibiro vyabwo abakozi ba Leta bakorera mu ntara hagati, kugira ngo ntibame bariko barata akazi bazembagira baja i Bujumbura.

111. Mu ntumbero y'ukwungura ubumenyi abakozi ba Leta, Leta iheruka gushinga Ishule Rikuru ry'Intwaro "ENA".

112. Mu vyerekeye imigenderanire n'abakozi, Leta yarashizeho uburyo bwo kuganira na bo igihe cose bikenewe mu gushiraho Inama Nkuru y'Akazi, mbere n'Inama Mpanuzwajambo y'Akazi ka Leta igiye gushirwaho.

113. Umugambi w'ugushiraho ikigega c'ukuziganiriza kazoza no gukingira impanuka z'akazi ku bakozi ba Leta, umugambi "ONPR" (Office National des Pensions et des Risques Professionnels) ugeze kure. Ivyo vyose Leta ikabikora kugirango abakozi bayo boroherezwe.

## BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,

114. Mu gusozera rino jambo, Twashaka tubashikirize muri aka kanya ibikuru bikuru twategekanije gushikako, na canecane kugira ngo Umutekano n'ubutunzi bw'igihugu bigarukirwe; ibindi bisata bisanzwe biri muri programme ya Leta cane cane yisunze wa mugambi CSLP, na programa y'ibikorwa vy'iterambere PIP iwukomokako hamwe na wa mugambi wiswe Burundi Vision 20/25.

1. Muri uyu mwaka, Leta igiye kwitwararika kwishuza abayiheraniye yongere ikwirikirane amadosiye y'indege zaguzwe ntiziguruke, izagurishijwe bidaciye mu mategeko, imiduga yaguzwe ntimare kabiri igenda, i ruhande y'amadosiye amaze gushika mu butungane, ku buryo umwaka wohera tumaze kuyakura mu nzira.

2. Ivyerekeye ikoreshwa nabi ry'imitahe ya Leta mu ma banki nka CADEBU, CAMOFI, BCD, BPB n'ahandi ni ko k'uko, itohozwa rizokorwa abo vyagira bahanwe hakurikijwe amategeko.

3. No mu vyerekeye abanyuruje amatungo, inyungu vya leta, bakarya imitsi abandi banyagihugu, aha twovuga nka Dosiye AFFIMET, Dosiye LUBERSKI, Dosiye RUZIZI, Dosiye Effort de guerre, Dosiye y'abakozi ba Leta bahembwa batabaho, Dosiye Interpetrole, Dosiye y' imitahe ya Leta iri mu ma banki Leta ntironke inyungu, n'ibindi.

4. Amadeni abadandaza b'ibitoro bafitiye Leta n'ayo Leta ibafitiye, ariko aratohozwa neza kugira ngo uruhande rwose rutunganirizwe.

5. Nayo Dosiye y'ikawa yagujijwe igitoro, yaramaze gushikirizwa ubutungane.

6. Amadosiye y'abanyuruje amafranga ya Leta mu biro vy'abaserukira Uburundi mu makungu azokurikiranwa n'Ubushikiranganji bw'Intwaro Ibereye, be n'Ubushikiranganji bw'Ubutungane.

7. Tugiye gukura mu nzira ikibazo c'amatongo manini manini ya Leta atakoreshejwe ico yasabiwe, na cane cane ayari mu kiyaya c'Imbo. Ni co kimwe n'amatongo yatanzwe ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika bidaciye mu mategeko.

8. Tugiye kandi guhasha bimwe biboneka abarya n'abatanga ibiturire be n'abasesagura ubutunzi bw'Igihugu. Mu kurwanya ubusuma buciye mu kugwiza igitigiri c'abakozi mu mpapuro kandi atabariho, urusansuma rw'abakozi bose ba Leta rugiye gutangura muri uyu mwaka w'2008 kugira ngo hamenyekane abakozi bari ku kivi vy'ukuri.
9. Ku bijanye n'urwego rwa Ombusdman, integuro ziriko ziranonosorwa. Urwo rwego ruzofasha gutorera umuti amatati yama ari hagati y'inzego zo nyene ubwazo,hagati y'abanyagihugu n'inzego zitandukanye, gutyo Abarundi bitorere inyishu z'ibibazo vyabo.

10. Ku biraba ugukomeza amahoro, twarashimishijwe cane n'uko ikigega co gukomeza amahoro kiri mw'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU kimaze gushikiriza Uburundi amafaranga ashika ku bice mirongo umunani kw'ijana (80/100) vy'ayo cari catwemereye. Imigambi ayo mafaranga yategekanirijwe iramaze gutangura, mu misi iri imbere abanyagihugu bakazovyibonera bigiye mu ngiro.

Twokwibutsa ko iyo migambi yerekeye ibi bikwirikira:
- Ugushinga Umugwi w'igihugu wigenga wo kwigisha n'ugucungera iyubahirizwa ry'agateka ka zina muntu (Commission Nationale Indépendante des Droits de l'Homme);
- Ugushigikira umugambi wo gukura ibirwanisho mu minwe y'abatabifiye uruhusha;
- Ugushigikira umugambi wo gutorera inyishu ibibazo bijanye n'imanza z'amatongo biturutse ku ntambara zose Uburundi bwaciyemwo;
- Ukongereza inguvu n'ubushobozi umugambi wo gusubiza mu buzima busanzwe abahoze ku rugamba.
- Ugutanga inyigisho imwe mu ntumbero y'ugukorana neza hagati y'abahora barwana ubu bakaba bari mu gipolisi canke mu ntwaramiheto z'igihugu (harmonisation) ;

- Ugushigikira umugambi wo gutorera inyishu ibibazo bijanye n'imanza z'amatongo ziturutse ku ntambara zose Uburundi bwaciyemwo.
- Ugushigikira umugambi wo gukura ibirwanisho mu minwe y'abatabifitiye uruhusha.

11. Kuvyerekeye ubutungane, hagiye gusubira gushingwa mu ntara zose Sentare Rubamba zihasha abiba bibisha ibirwanisho, abica, abafata abakenyezi ku nguvu n'ibindi. Ivyo bizoba kugirango inkozi y'ikibi imenyekane ubwo nyene, kandi iciribwe urubanza aho nyene na cane cane iyo yafatanywe itonga. Ivyo rero bizotuma hatuzwa bimwe biboneka abarya imanza, abazihubisha bitwaza ngo bariko barumvikana hamwe n'abakingiranira ikibaba.

12. Kubw'ivyo, dusavye ubushikirangangi bw'ubutungane n'inzego zibukomokako, inzego z'umutekano, Ubushikiranganji bw'intwaro yo hagati mu gihugu, ubw'intwaro ibereye, Sentare na brigade vyo kurwanya ibiturire no gusesagura itunga ry'igihugu, na mwebwe abarundi mwese, ngo duhagurukire urwo rugamba.

13. Kubijanye no kunywanisha abarundi, hagiye gutanguzwa ibiganiro bizodushikana kuri wa murwi wo kurondera ukuri no kurekuriranira hamwe na sentare idasanzwe ku Burundi. Abarundi bo nyene ubwabo, bakaba aribo bazovuga uko bashaka ko bitunganywa.

14. Ku bijanye n'indero, Leta igiye gushira mu ngiro umugambi wo kwongereza amafaranga yo gufungurira abanyeshule bo mu mashule yisumbuye ndetse na kaminuza. Iriko iriga kandi ingene abana bo mu mashule yisumbuye y'amakomine bofungurirwa ku murango.

15. Muri uyu mwaka w'2008, twiyemeje kwiyubakira mu bikorwa rusangi amashure yisumbuye y'amakomine 120. Ibikoresho turiko turavyegeranya.

16. Mu biraba ubudandaji, umugambi wo gukoresha umuhora Pipe line, no ku kiyaga Tanganyika kugira ibiciro bigabanuke ugiye gushingwa.

17. Mu vyerekeye, guteza imbere amasoko ntanganguvu, hagiye kwubakwa ingomero kuri Murembwe, Jiji na Siguvyaye.

18. Muri Kazoza, Leta igiye gushira mu ngiro politike yayo y'ugutunganya neza ikoreshwa ry'uburyo bwo kwiyunguruza mu kazi ka Leta.

19. Leta kandi izokwihatira gukwiragiza ibiro vy'amaposita mu makomine n'ubuhinga bwa none mu ntara zose z'igihugu.

# BARUNDI, BARUNDIKAZI, NCUTI Z'UBURUNDI,

115. Twagira kandi dusabe Abarundi bose ngo bafashe Leta mu mugambi wayo wo kurwanya bakaboko. Baterere umuganda mu gutuza ibiturire, Umurundi wese arye ivyo yabiriye akuya, ntihagire umuntu n'umwe arya imitsi abandi.

116. Leta ifise imigambi myinshi kandi myiza, ariko tutitanze twese, tudakoze nk'abikorera, tuzoguma dusubira inyuma nk'ibirenge, Abarundi tube akamenyo mu makungu.
Ni ko, uburyo dufise ni buke, ni naco gituma n'imigambi yose twari twategekanije muri uyu mwaka dusozereye ahanini itaranguwe yose.

117. Duteye akamo amakungu ngo abandaye adufata mu mugongo kugira imigambi ya Leta y'umwaka w' 2008 ize iranguke yose.

118. Ntitworangiza kandi tudashimiye abo bose badufashe mu mugongo, ari ibihugu, ari amashirahamwe mpuzamakungu, canke abandi bitanze ku gatwe kabo gusumba abandi.

Turashimiye abanyagihugu bose bitanze mu bikorwa vya misi yose na cane cane mu bikorwa rusangi aho twoshimira cane inzego z'umutekano ziyemeje kwama zitanga kabiri mu ndwi.

Turashimiye Imana rugiravyose yatuzigamiye Uburundi, Turashimiye abakozi b'Imana mu bikorwa vy'iterambere be no gusengera igihugu cacu.

119. Ahacu, tuzobandanya twijukira ibikorwa kugirango, twubake igihugu cacu, turwanirize hamwe ibinebwe, abasuma n'abicanyi, maze mu mwaka uza, nk'aya mango, tuze dusubire guhurira hamwe, twigina aho twagejeje ikivi.

**Ni muze rero twijukire ibikorwa twubake igihugu cacu.**

---

**Tugire amahoro**

**Ibikorwa n'iterambere**

IMANA IBAHEZAGIRE

MURAKOZE.-